Ikinyamakuru ca Ekleziya Gatolika
Umwaka wa 70
Gisohoka kabiri mu kwezi
Ikiguzi : 500FBu

# NDONGOZI Y'UBURUNDI




Email:journalndongozi@gmail.com
Facebook :Journal ndongozi y'uburundi Rusiziramarembe; Twitter: Ndongozi y'Uburundi
Adresse : Candikirwa, kigasohorerwa muri Ndongozi y'Uburundi. Avenue de la mission n° 06

«Jewe ndi wa mwungere mwiza » Jn 10, 11a

B.P 690 Bujumbura. Tél.: 222762. Fax : (257) 228907 N°790 01 Rusama 2023

# Uguhimbaza umunsi w'Imana *(Ibikurikira)*

**Ihwaniro ry'Ukaristiya**

Ukaristiya iragaburira kandi niyo iha akaranga Ekleziya. « Ko hari umukate umwe utugira u-mubiri umwe naho turi benshi, kuko dusangira twese kur'uyu mukate umwe » (1Kor 10,17).

Mu buryo bwumvikana, ikatekisimu y'Ekleziya gatolika yigisha ko «Guhimbaza umunsi w'Imana ni uguhimbaza Ukaristiya y'Umukama, nivyo mutima w'Ubuzima bw'Ekleziya ».

Ni mu misa yo ku munsi w'Imana, muri iryo koraniro, abakristu berekanirамwo akanyamuneza bafise, nkuko abatumwa bakerekanye kuri wa muhingamo wa Pasika, aho Uwazutse yababonekera. Uwo mugwi mutoyi w'Abatumwa waserukiye igihugu cose mu bihe vyose.


Mu ntahe berekanye, tubonamwo urukurikirane rw'abo bose bemeye urukiza rwa Kristu rwuzuye ingabirano z'umucunguzi, z'amahoro dukesha amaraso yiwe na Mutima twagabanye.

« Nimugire amahoro ! ». n'iyi ndamutso Yezu yazutse aramutsa abigishwa biwe bari basubiriye gukoranira hamwe muri ya nzu, iminsi umunani iheze.

Uko gukoranira hamwe kw'abakristu ba mbere, ku munsi w'umunani, umunsi w'Umukama canke « Idominika», kugira ngo bagaragaze ukwemera bafitiye izuka ry'Umukama, banaharonkera n'ivyo vyose yerekanira muri iri jambo go : « Hahiriwe a-bazokwemera ataco barinze kubona » (Yohani 20,29).

Soma ku Rup. 5

## Ikiganiro c'abavugizi b'inzego za Reta ku bamenyeshamakuru n'abenegihugu mu ntara ya Cibitoke



Ku munsi wa mbere igenekerezo rya 24 Ndamukiza 2023, abavugizi b'inzego zitandukanye mu Burundi, bararemesheje ikiganiro ku kibuga c'umupira w'amaguru co ku mugwa mukuri w'intara ya Cibitoke, aho bari baramutse bishura ku bibazo vy'abamenyeshamakuru n'abenegihugu.

Mw'ijambo ryiwe ry'intangamarara, Umuvugizi w'Umukuru w'Igihugu, Umupfasoni Rosine Gilene Gatoni yarashikirije abari ngaho indamutso ya Nyenicubahiro

Soma ku Rup. 4

*Abakozi ba Ndongozi*

**Uwujejwe uruganda:**
* *A. Noël NTIRANDEKURA*

**Abamenyeshamakuru:**
* *A. Noël NTIRANDEKURA*
* *Mélance NDAYIKEZE*
* *MSV Marie Goreth NDIKUMANA*

**Uwujejwe ubuhinga:**
* *Chanel HARINGANJI*

**Umunyamabanga:**
* *MSV Marie Goreth NDIKUMANA*

**Umunyabigega:**
* *MSV Nadine HARAGIRIMANA*

**Uwujejwe imigenderanire:**
* *J. de Dieu NDIKUMANA*

## Ibirimwo

o Intara ya Buhumuza izoba igizwe n'amakomine 7 kuva 2025..............................7
o Ugupfira umubano biracashoboka mu Burundi..............................8
o Ikiganiro c'abavugizi b'inzego za Reta ku bamenyeshamakuru n'abenegihugu mu ntara ya Cibitoke..............................9
o Uburenganzira bw'abakozi bwo gukora akazi mu buryo bubereye..............................10

# Idominika ya gatanu ya Pasika : Umwaka A

## Igisomwa ca mbere : *Ibik. Vy'Abat. : 6,1 - 7*

Ivyo dusoma mu gitabu c'Ibikorwa vy'Abatumwa :

*(Baratoye abandi indwi buzuye Mutima Mweranda)*

Muri iyo misi abigishwa bariko baragwira, Abagereki bidodombera Abahebereyi kuko, mu bikorwa vya misi yose, abapfakazi babo batitwararikwa. Bamwe Icumi na babiri bakura abigishwa bose bababwira bati: «Ntibibereye yuko tureka kwigisha Ijambo ry'Imana ngo turabe ibibatunga. None rero benewacu, nimwitorere muri mwebwe abagabo indwi bavugwa neza, buzuye Mutima Mweranda n'ubwenge, tuzobagenere ico gikorwa, nayo twebwe twihebere ivy'ugusenga n'ugushikiriza Ijambo ry'Imana.»

Iyo mpanuro rero iraheza irahimbara ishengero ryose ryari aho. Baca batora rero Sitefano umuntu yuzuye ukwemera na Mutima Mweranda, Filipo, Porokori, Nikanori, Timoni, Parimenasi na Nikola, umwigishwa mushasha w'i Antiyokiya. Babazanira abatumwa. Abatumwa na bo bamaze kubasabira ku Mana, babagaranzurirako ibiganza. Ijambo ry'Imana rero rirasagamba, igitigiri c'abigishwa kirongerekana i Yeruzalemu, n'abaherezankuka benshi barayobokera ukwemera

## Igisomwa ca kabiri:*: I Petero: 2, 4 -9*

Ivyo dusoma mw'Ikete rya mbere ry'Umutumwa Petero:

*(Mweho muri indanga zitorewe n'Imana, musangiye Ubusaserdoti na Kristu Umwami)*

Ncuti zanje: mu kumwegera, we rya buye ry'ubuzima ryashibuwe n'abantu ariko ryashimwe rikagira igiciro mu maso y'Imana, namwe rero nimumere nk'amabuye mazima, mube amabuye y'iyo nyubakwa ya Mutima, muronke ubuherezankuka bweranda, kugira ngo muhereze imbagwa muri Mutima, zishimisha Imana, ku bwa Yezu Kristu. Nanone Ivyanditse bivuga biti: «Nzoshira muri Siyoni ibuye ry'iremezo nitoreye kandi ry'agaciro, uwuzoryishimira ntazoteterwa.»

Mwebwe rero abemera, iteka ni rwanyu. Ariko ku batemera bo, iryo buye ryatawe n'abubatsi, ni ryo ryabaye ishimikiro ry'imfuruka, riba ibuye ribatsitaza n'urutare banyererako. Batsitara kuko batemera ijambo, kandi noneho ni co bari bagenewe. Mweho muri umuryango witorewe n'Imana, mufise ubuherezankuka cami, muri igihugu ceranda, mukaba n'icibare c'Imana kugira ngo mumenyeshe ibitangaza vy'uwabakuye mu mwijima, akabashira mu muco w'akatabonetse.

## Inkuru nziza : *Yohani : 14,21- 26*

**Alleluya, Alleluya.**

*- Umukama yavuze ati: "Jewe ndi Inzira, Ukuri n'Ubuzima; nta wuja kwa Data atanciyeko."*

**Alleluya.**

Ivyo dusoma mu Nkuru nziza ya Yezu Kristu nkuko twayishikirijwe na Yohani :

*(Jewe ndi Inzira, Ukuri n'Ubuzima)*

Mu gihe yari mu kuva kuri iyi si ngo asubire kwa Se wiwe, Yezu yabariye abigishwa biwe ati: "Ntimuhagarike umutima! Nimwemere Imana na jewe munyemere! Mu ngoro ya Data, hari ibibanza vyinshi. Iyo bitaba vyo, mba ndababwiye ko ngiye kubategurira ikibanza? Ninamara kugenda nkabategurira ikibanza, nzoheza ngaruke, ndabajane hafi yanje, kugira ngo aho ndi habe ari ho muba namwe. Kandi aho nja, murazi inzira irorayo.»

Toma amubwira ati: «Mukama, ntituzi iyo uja, inzira irorayo twoyimenya dute?» Yezu aramwishura ati: «Jewe ndi inzira, ukuri n'ubuzima. Nta wuja kwa Data atanciyeko. Ko mwamenye, muzomenya na Data. Ubu bwa none muramuzi kandi mwaramubonye.»

Filipo amubwira ati: «Mukama, twereke Data, bizoba bibaye.» Yezu aramwishura ati: «Aho twabaniye, nturamenya ga Filipo? Uwumbonye aba abonye Data. Ushobora kuvuga ute uti: "Twereke Data?" Mbega ntiwemera ko ndi muri Data na we Data akaba muri jewe? Amajambo ndababwira sindayavuga ndayitumye, ni Data aba ari muri jewe yigirira ibikorwa vyiwe. Ni ukuri nimunyemere! Jewe ndi muri Data, na we Data akaba muri jewe. Canke, mutemeye ivyo mvuga, mupfume muvyemera ku bw'ibi bikorwa nyene. Ni ukuri, ni ukuri ndabibabwiye, uwunyemera azokora na we nyene ibikorwa nkora; ndetse azokora n'ibiruta, kuko ngiye kwa Data."

# Ijambo rya Papa Fransisko ryo ku munsi mpuzamakungu wo gusabira itorwa

Ku munsi ugira 60 wo gusabira itorwa, Papa Fransisko yarashikirije ijambo, aho agira ati:

«Umuhamagaro: Inema n'ubutumwa»

Bavukanyi, rwaruka nkunda; Ni incuro igira mirongo itandatu duhimbaje umusi mpuzamakungu wo gusabira itorwa, uwo musi washinzwe n'umweranda Pawulo wa 6 mu mwaka w'1964, hari mu nama nkuru y'Ekleziya igira kabiri yabereye i Vaticano.

Uwo mugambi ukiza wari ugamije gufasha igihugu c'Imana, umuntu ku gatwe kiwe canke mu muryango ngo yitabe umuhamagaro n'ubutumwa Umukama ashinga umwe umwe wese mw'isi y'igihe ca none, yugarijwe n'ibikomere, umwizero, ingorane hamwe n'iterambere.

Uyu mwaka, ndabasaba ko mwozirikana mukongera mugasaba mumurikiwe n'icivugo kivuga kiti



"Umuhamagaro: Inema n'ubutumwa".

Ni akaryo keza ko gutahura n'akanyamuneza ko umuhamagaro w'Umukama ari ingabirano duhabwa ku buntu, kandi ko iyo ngabirano ikeneye kwiyemeza kugenda, gusohoka kumenyesha Inkuru Nziza.

Duhamagariwe gushingira intahe ukwemera kuko nikwo guhuza ubuzima bwacu n'ingabirano biciye mu masakramentu, mw'isangiramutima ry'Ekleziya, n'ubutumwa burangurwa kw'isi.

Amurikiwe na Mutima Mweranda, umukristu ahamagarirwa kugenda gushika ku mpera z'isi zishoboka kandi agaterwa imbabazi n'ingorane zihanze abantu, mu kwamiza ku muzirikanyi ko ubutumwa ari igikorwa c'Imana kandi ko kiranguka mu bunywanyi bw'Ekleziya n'abavukanyi biwe, bayobowe n'abungere b'Ekleziya. Kuva kera na rindi, Imana yipfuza ko tubaho mu bunywanyi bw'urukundo rwayo.

Twatowe isi itararemwa Umutumwa Pawulo aratwereka inzira nziza twohitamwo: Imana Data "Yaratwitoreye muri Kristu isi itararemwa, kugira ngo tube beranda kandi ntitugire amahinyu imbere yiwe mu rukundo, kuko ari Yo yatugeneye kumubera abana ku bwa Yezu Kristu kubera icipfuzo c'ugushaka kwayo" (Abanyefezi 1,4-5)

Ni amajambo adutuma kubona ubuzima mu nsiguro yayo yuzuye : Imana « iturema » mu gashusho kayo yongera iratwishushanya kandi ikipfuza ko tuba abana bayo : Twaremwe kubw'Urukundo, ku rukundo no mu rukundo, kandi twaremewe gukunda.

Mu rugendo rw'ubuzi-ma bacu, uwo muhamagaro, wanditswe mu nzira y'ukubaho kwacu no gutwara ibanga ry'umunezero, udushikira ku bw'igikorwa ca Mutima Mweranda, mu buryo bushasha igihe cose, umurikira ubwenge bwacu, ugaha ubukomezi ugushaka kwacu, uduhimbara ugatuma ukabura umutima wacu. Rimwe na rimwe, uratwinjirana utaduteguje.

Ivyo vyabaye kuri jewe, igenekerezo rya 21 nyakanga 1953, mu gihe nagenda mu musi mukuru w'umwaka w'abanyeshure, niyumvisemwo iciyumviro co kwinjira mw'isengero no kwirega.

**Biracaza**

*Vyahinduwe mu kirundi n'Ibiro Ndemeshabutumwa bw'Ibikorwa vya Papa vyo kumenyesha Inkuru Nziza ya Yezu Kristu mu Burundi.*

# Urugo rukristu nirumenyeshe Inkuru nziza ya Yezu Kristu

***Hokorwa iki kugira ngo urugo rukristu rumenyeshe Inkuru nziza?***

Kugira ngo iyo Nkuru nziza imenyekane yongere ishinge imizi vy'ukuri, ni uko abari mu rugo bihatira ubwa mbere kwubakira kuri Yezu Kristu we Rutare rutamenwa.

**Ingo z'abakristu**

Iyo vyose mubigirane ubwitonzi n'ubwubashi mwigana Kristu kugira mubashe kugaragaza ukwemera kwanyu. Ingo zanyu ni zishigikire zishimitse umuryango w'Ekleziya mu butumwa bwayo bwo gukwiza hose Inkuru nziza: muwusabire, muwunganire muvyo ukeneye, mwitabane urukundo indinganizo n'ibikorwa biwubaka.

Ingo zanyu ni zihurumbire inkuka ya Misa kuko aho ihererezwa hose abakristu baba bariko barashira ahabona umuryango w'Ekleziya bongera batangariza bose Inkuru nziza y'ugupfa n'ukuzuka kwa Yezu.

Mu ntumbero yo kwunga imitima yavunitse no kugarukira isakramentu ryo kubaka rukristu, dusavye ko ba patiri mukuru bofasha kugira ahari ingorane mu bugeni rukristu babishikiriza sentare ya diyoseze yacu nayo igakora ukwo ishoboye kwose ngo imanza z'abubakanye zinyaruke guhera kandi amatohoza azerekeye akorwe ku buryo bitaremera ababituye.

Ntimuhengeshanye kandi gushigikira ingo ziri mu ngorane zitandukanye mu kubagendera no mukubumviriza mwongera mubafasha kuzivamwo.

Turasubiriye gutera akamo ingo zose zikirondoka

Ibik. urup.6

# Ikiganiro c'abavugizi b'inzego za Reta ku bamenyeshamakuru n'abenegihugu mu ntara ya Cibitoke

*(Bitangurira ku rup.1)*

Umukuru w'igihugu, akipfuriza Abarundi bose amahoro n'iterambere.

Nyenicubahiro arashima cane ingene igihgu cose cifashe, ingene gitekanye, agashima ingena abarundi bariko barakamisha ayo mahoro, mu kuja ku kivi, umwumwe wese mu vyo ajejwe, agahamagarira umwe wese kwikangura kuko mw'iterambere ari uguhiganwa.

Sebarundi asaba abenegihugu gutahura ko Imana yahezagije igihugu c'Uburundi ibikenewe vyose mu buzima bw'umuntu bwa minsi yose. « uburundi bufise abantu bishaka, bakunda ibikorwa, igihugu gifise isi imera imbuto zose, imvura igwa igihe kinini mu mwaka; agataka k'uburundi karimwo ubutare bwinshi, bisigura ko hasigaye ahacu kubikoresha ku neza yacu.

Arasaba indongozi kubera umuco w'iterambere abo zirongoye, mu kubahimiriza mu bikorwa vy'iterambere, mu kugendera abenegihugu bari ku kivi kugira bamenye intambanyi zibashikira mu mirimo yabo yose, bongere batere intege abariko barakora neza.

Arakebura abantu baca imitima beneburundi ngo inzara yamaze abantu bashaka kubankisha igihugu cabibarutse, babajuragiza mu kubaca ivutu kandi ata matohoza bagize.

Aributsa ko ibituma ibiciro biduga ari ukubera abantu bitambika hagati y'umuguzi n'umurimyi, ikindi gituma ibiciro biduga ngo ni abantu bikika mu kinywabi mu gushora ibidandazwa, akibibutsa kandi ko mu bituma ibiciro biduga aruko abarondera umwibu ukiri muke ariko iminwa ya kugaburira ari myinshi. Agahamagarira abarundi gukura amaboko mu mpuzu ngo barime aho hose hatarimye kugira ngo umwimbu wiyongere.

Arasaba abarundi bose kugwanya no gutuma urutoke abarya ibiturire, abanyururuza itunga ry'igihugu, akibutsa ko ivy'uburundi ari ivya beneburundi, ko itunga ry'igihugu atari iry'umuntu umwe canke akagwi k'abantu ariko ari iry'abarundi bose.

Arahimiriza abanyeshure kwirinda gusamara, bamenye ko ico abavyeyi n'igihugu babitezeko ari ukwiga neza bakamenya, bakirinda inyosha mbi canke ibibasamaza. « Umwana w'isema avuma ibere ryamwonkeje." Mu gihe ikiganiro kibereye mu ntara ya Cibitoke mu gihe iyo ntara iheruka guhura n'ivyago aho umusozi wakororkeye ku bantu bamwe bakahasigara.

Nyenicubahiro arasaba abacamanza gutunganiririzaneza ababitura bataravye nkunzi , bakore bisunze amategeko. Aho bazoba biteye iteka bariteye n'igihugu.

Ikiganiro kiremeshejwe haraye habaye ihwaniro rigira kabiri ryekana iterambere ry'igihug aho hizwe hongera herekanwa igicapo gishushanya iyo uburundi twifuza gushika mw'iterambere ritandukanye. Aho Uburundi bwoba bwigaba bukigaburira mu 2040, bukaba buteye imbere mu 2060. Agahamagarira abarundi bose gufata iya mbere kugira ngo dushike kw'ihangiro twihaye kuko "turi kumwe twese birashoboka".

Inyuma y'iryo jambo ry'intangamarara, hakurikiye ibibazo vyabajijwe n'abamenyeshamakuru, biraba ubuzima bw'igihugu bwose: ikibazo c'ubutungane, ikibazo c'iherezo ry'umuceri watanzwe n'igihugu c'Ubushinwa, c'ukunganisha imishara ku bakozi ba Reta ; ikibazo bijanye n'ubukene bw'amahera mvamakungu; ikibazo c'agahembo kazohabwa abakukuruke nkuko vyari vyashikirijwe n'Umukuru w'igihugu; n'ibindi n'ibindi.

Kuri ivyo bibazo vyose, Abavugizi b'izo nzego baratanze inyishu zibereye.

• Nk'akarorero, ku kibazo cerekeye ifatwe rya Général de Police Alain Guillaume Bunyoni, yahora ari Umushikiranganji wa mbere, umupfasoni Bangiricenge Agnès, Umuvugizi wa Sentare ntahinyuzwa yamenyesheje ko Alain Guillaume Bunyoni afungiwe mw'iperereza ry'Uburundi, ko yagirizwa gushaka guhungabanya umutekano w'igihugu, akagirizwa guhungabanya ubutunzi bw'igihugu n'ugukoresha ikibanza afise mu kwihagira inyungu z'akazi bidaciye mu mategeko.

Uwo muvugizi amenyesha ko umuryango wa Alain Guillaume Bunyoni utarashobora kubona uwabo, ariko ko «vuba bazoronswa uburenganzira bwo kumubona».

• Ku kibazo c'umuceri ungana n'amatoni 25 umutambukanyi w'Umukuru w'Igihugu yoba yarahaye mugenzi we wa Guinée Equatoriale, bikavugwa ko uwo muceri ari uwari watanzwe nk'imfashanyo n'igihugu c'Ubushinwa, Philémon Nkurunziza ajejwe igisata co kumenyeshamakuru mu biro vy'umutambukanyi w'Umukuru w'Igihugu aremeza ko uwo muceri vy'ukuri watanzwe nk'ingabire muri Guinée Equatoriale, ariko ukaba wari umuceri w'umutambukanyi w'Umukuru w'Igihugu, utavuye mu mfashanyo y'ubushinwa.

***• Reta y'ubu ni Reta nkozi kandi ko kimwe mw'ihangiro yihaye w'uko « Umunwa wose woronka ico ufungura, umufuko wose ukagira amafaranga» None iryo haangiro rigeze hehe ?***

Prosper Ntahogwamiye, Umunyamabanga akaba n'umuvugizi wa Reta yishuye ko ben'iyo mbona canke amerekero ya kazoza ku benegihugu ari urugendo rudahera,

*Ibik. urup.9*

# Uguhimbaza Umunsi w'Imana (Ibikurikira)

*(Bitangurira ku rup.1*

Iryo sano ry'Uwazutse n'« Ukaristiya » turisanga kandi mu Nkuru nziza ya Luka, aho Yezu yabonekera ba bigishwa babiri b'i Emausi, agafatanya nabo akayira, abasobanurira ivyanditswe, hanyuma akavyagira ku meza hamwe nabo. Bamumenye aho « yafata umukate akawuhezagira, akawumanyura, akawubahereza » (Luka 24,30).

Ibirori yakoresheje aho yagira Ukaristiya, nivyo n'ubu akoresha : « Kumanyura Umukate» ; ico kimenyetso cerekana Ukaristiya nico n'abakristu ba mbere bakoresha, camenyesha « akaranga » k'amakoraniro yabo.

### *Ukaristiya y'Umunsi w'Imana*

Imigirwa mikuru mikuru ya Ekleziya abakristu bakoranira hamwe, bahimbaza imigirwa ya liturjiya, basabikanya «Umukate umwe » : Ukaristiya, mu gisabisho kimwe, baki-kuje ameza amwe, aho Umwepiskopi ahagatiwe n'abasaserdoti biwe bahereza iyo Ukaristiya.

Naho, yamara Ukaristiya y'umunsi w'Imana ari itegeko ry'uko abanyamuryango bakoranira hamwe no mu birori vyose bitandukanye n'ayandi makoraniro kubera ko : « Umunsi twibuka aho Kristu yazuka mu bapfuye, gutyo akadusangiza kuri ubwo buzima buzohoraho.



Mu gihe bawuhimbaza, umuryango wose wifatanya mw'isangira ry'Ekleziya y'isi yose, wambaza Mana Data ngo « yibuke Ekleziya iri kw'isi yose, ayuzuzemwo urukundo n'ubumwe, yibuke n'abamwemera bose n'umusavyi wiwe Papa, n'Abepiskopi bose, n'abasaserdoti bose, …kugira ngo ishaka ryiwe riranguke, ayuzuzemwo n'urukundo rw'ukuri'.

### *Umunsi w 'Ekleziya*

Ahari ikoraniro ry'umunsi w'Imana, haba n'abantu harangwa n'ubumwe, hahimbarizwa ''Isakramentu ry'ubumwe kugira ngo ryerekane 'akaranga ka Ekleziya', Gihugu gikoranye « hamwe » no mu « Bumwe » bwa Data na Mawana muri Mutima Mweranda.

Kubera ivyo, abavyeyi nibo bashinzwe kumenyereza abana babo mu ndero babaha; uwo mugenzo wo guhimbaza umunsi w'Imana, muri ivyo, babifashanyamwo n'abandi bose bashinzwe indero rukristu y'urwaruka.

Nico gituma kandi, imisa y'imigwi mito mito yo ku munsi w'Imana, itabereye, kubera ko iterekana vy'ukuri bwa bumwe bw'umuryango wose w'abakristu bagize i Paruwasi.

### *Igihugu kiri mu rugendo*

Umunsi w'Imana k'uwundi, Ekleziya igenda yegereza wa munsi wa nyuma w'Umukama, umunsi w'Imana uzokwamaho. Ukurindira ihindukira rya Kristu mu buninahazwa gufitaniye isano n'ikinyegezwa c'Ekleziya, yimenyekanisha mu gihe cose ihimbaza Ukaristiya.

Ivyo bituma umunsi w'Imana uba umunsi waho Ekleziya yerekanira akaranga k'urukundo rwayo, karanga ca gihe kizoza ca Yeruzalemu yo mw'ijuru.

Mu gukoranya abana bayo mw'ikoraniro ry'ukaristiya no mu kubamenyereza uko bokwiteguririra kuzosanganira 'Umukwe', Ekleziya yerekana ico cizere kuko izi ko kuva mu ntango akanyamuneza k'amajuru mashasha n'isi nshasha, aho umugwa mweranda, Yeruzalemu nshasha izomanukira iva mw'ijuru, ku Mana 'yitoye nk'umugeni yitoreye umunega wiwe.
(Ivyahisuriwe 21,2).

### *Umunsi w'ukwizigira*

Niba umunsi w'Imana wose ari umunsi w'ukwemera ni umunsi w'ukwizigira rukristu. Gusangira ku mubiri wa Kristu ni « kwerekeza agatima ku mfungurwa twimirije izorangukira mu bugeni bw'Umwagazi » (Ivyah. 19,9).

Mu guhimbaza icibukirizo ca Kristu yazutse, hanyuma akurira mw'ijuru, umuryango w'abakristu uronka ikibanza muri bwa buzima aho turindiriye ubuhirwe bw'ijuru twemerewe, n'ihindukira ry'Umucunguzi wacu Yezu Kristu, Umukiza wacu. Ukwo kwizigira rukristu kuba umwambiro n'umuco w'ukwizigira kwa muntu.

Mu gisabisho ca bose, Ekleziya ihereza, isabira bose, abazima n'aba-pfuye, abanezerewe n'abari mu marushwa anyuranye y'ubuzima, abakuze n'abato, abatunze n'abakene,..eka, ntiyirengagiza imyitwarariko y'abayo.

***Biracaza***

***Ivyiyumviro bikuru bikuru vyavuye muri «Dies Domini», Inyigisho ya Papa Yohani Paulo wa II***

# Urugo rukristu nirumenyeshe Inkuru nziza ya Yezu Kristu

gukomeza kwakira inyigisho n'imyimenyerezo ngororangendo zubahiriza umugambi w'Imana ku muntu mu kurondoka.

Ni mwijukire ukuruta uburyo kama bwo kurondoka ku rugero nkuko Inama y'abepiskopi iheruka kubibasaba.

**Urwaruka**

Rwaruka namwe, ubuzima mufise mubukesha Imana yabaremye. Imana nayo ni nziza, ni muyikunde rero, nayo ibagabire ugukunda ivyiza n'ukubikora. Imana irafise ico ishaka kubatuma mwese.

Ni mwame mwiteguriye kwumva ijwi ryayo kugirango mumenye ico yabateguriye. Ni hagira abo Imana itora ikabagenera guhebera ubuzima bwabo ukumenyesha Inkuru nziza bazoyitabane akanyamuneza, urunganwe narwo ruzobashigikire.

Ni muhagararire iteka n'ubuntu vy'aho muba, maze akaranga k'imico n'imigenzo n'ak'ubukristu, vyame vyubahirizwa igihe cose aho mu ngo iwanyu. Maze muri mwebwe hagize abo Imana yitorera ngo ibatume mu murima wayo ngo bayihebere muzoyigamburukire mudahigima.

Ndabateye akamo, mwirinde imigenzo mibi ititura iteka mwaremanywe igatukisha abavyeyi n'abarezi, ikabangamira kazoza kanyu, ikababaza Imana yabaremye kuko ikabakwegera mu gicumuro kibakura ku Mana.



None rero, ni murabe abagenzi mufise abo ari bo, mumenye guhitamwo abeza bafise ico bazobungura.
Muheze mugire urunani rw'ukwikingira ingeso mbi n'urwo gukora ivyiza kuko muvyo tubona umuntu umwe wenyene ntavyo yokwishoboza.

Rwaruka dukunda ni mwitabe amahwaniro y'urwaruka tubahamagarira kugira tubacire agace ku muhamagaro n'ibanga mwimirije ryo kubaka ingo zanyu, n'imigenzo yo baranga imbere yuko mwubaka izanyu, ntimuhave mujana nyabahururu.

Nimwijukire vyongeye imihari n'iyindi mirwi yo gusenga, imibano rukristu n'amashirahamwe yo kwiteza imbere bizoheza bibabumbe.

**Abakozi**

Namwe bakozi bo mu rugo, Ingo mukoramwo ni muziseruremwo ukwemera mwaronkeye iyo muvuka, ntimwibagire ya ngabirano mwaronka igihe mwubikwako ibiganza; ingabirano mufise mu vy'ukwemera muzigaragarize aho mukora, mu babanyi no ku masengero muhimbarizako umusi w'Imana.

Mwifatanye n'abakoresha banyu mu bikorwa vyo guterera n'ugushigikira umuryango w'Ekleziya, mutitwaje yuko mutari imvukira zaho.

Itara ry'ukwemera mwaronse mw'ibatisimu murigumize ahabona, ntimuryubikeko umubehe, ahubwo ribafashe gushariza n'ukuryohora aho mubaye n'aho mukorera.

**IV. Ugusozera**

Dusozere iki kiganiro twibuka ko twariko turabafasha kwitegurira guhimbaza neza umusi mukuru cane wa Pasika y'Umukama wacu Yezu Krstu yababaye, akabambwa ku musalaba akadupfira kugira ngo aducungure, adukize ibicumuro. Iyo niyo Nkuru nziza ya Pasika Ekleziya imaze imyaka 125 imenyesha mu Burundi, tukaba turi mu mwaka wo kuyihimbaza.

Mu gihugu cacu ingo z'abakristu zaragize uruhara rushimishije muri ico gikorwa Ekleziya yaranguye co kumenyesha Inkuru nziza ya Yezu Kristu muri iyo myaka.

Yamara impinga iracari ndende, ingo z'abakristu ziracakeneye gukomeza ukwemera n'ukwitanga nkuko twagiye turabizirikana dufatiye kw'Ijambo ry'Imana no ku zindi nyigisho abarongoye Ekleziya bagiye barashikiriza.

Muri iyi karema rero, ingo z'abakristu zamaze kunyurwa n'ukuba "Ekleziya yo ku ziko", ni zifatanye na Yezu mu nzira yiwe y'umusaraba ijana mu gahimbare ka Pasika, zisubize itoto zinagure ukwemera zifitiye Imana, zinagure n'urukundo zifitaniye, zibashe kunonokera kumenyesha ya Nkuru nziza y'ukuzuka yatanguye kumenyeshwa n'abakenyezi beranda:

Mariya Madalena na Mariya wundi, hamwe umumalayika yababwira ati: "mweho ntimugire u-bwoba, ndazi ko muriko murarondera Yezu yabambwe. Ntakiri ngaha, yazutse nkuko yabivuze. None muze murabe aho yari aryamye, kandi muce mugenda mwihuta mubwire abigishwa biwe muti yazutse ava mu bapfuye" (Matayo 28,5-7).

***Uwazutse nahezagire ingo n'imiryango yacu***

***Bigiriwe i Bururi, ku wa 03 ruhuhuma 2023***

+Salvatori Niciteretse,
Umwepiskopi wa Diyosezi ya BURURI.-

# Intara ya Buhumuza izoba igizwe n'amakomine 7 kuva 2025

*Kw'igenekerezo rya 16 Ntwarante 2023, Umukuru w'igihu Nyenicubahiro Evariste Ndayishimiye yarashize umukono ku ngingo N°1/05, ishinga intara, amakomine, amazone n'imitumba canke amakartiye mashasha agiye kugira igihugu c'Uburundi, kuva mu mwaka w'2025.*

*Izi ntara nazo ni zitanu, amakine 42, amazone 451 n'imitumba* canke amakartiye 3044.




***Intara ya Buhumuza ni imwe mu ntara zitanu zizoba zigize intara z'uburundi, kuva mu mwaka wa 2025***

I. Intara ya Buhumuza, ifise umugwa mukuru mu Cankuzo, igizwe n'amakomine 7 n'amazone 64.

1. Komine **Butaganzwa**, umugwa mukuru wa komine ni Butaganzwa, igizwe n'amazone 5. Nayo ni :

* Zone Bisinde (igizwe n'imitumba7 : Bisinde, Bugarama, Karambi, Kazimya, Nyabigugo, Rutimbura na Rutonganyikwa).

* Zone Biyorwa igizwe n'imitumba 9 : Biyorwa, Burenza, Masazi, Mihama, Mpame, Nyamugari Nyarubabi, Rugata na Tara.

* Zone Mugege igizwe n'imitumba 11 : Bigera, Caragata, Gakonko, Kivumu, Mpungwe, Mugege, Muhene, Musenga, Nyangurube, Nyankende, Rubambagire.

* Zone Muriza igizwe n'imitumba 11 : Bartye, Gasasa, Gikwiye, Gishubi, Kanyinya, Kirambi, Kiyabu, Muriza, Nyaburondwe, Nyamiyaga, Nyarurambi.

* Zone Rugongo igizwe n'imitumba 7 : Kirangura, Kivoga, Kizigama, Maramvya, Nyagashubi, Nyange, Rugongo.

Yose hamwe ni imitumba 45 igize amazona 5 ya Komine Butaganzwa.

2. Komine **Butihinda,** umugwa mukuru wa Komine ni Butihinda, igizwe n'amazone 13. Nayo ni :

• Zone Butarugera igizwe n'imitumba 7 : Buhorana, Kavumu, Kinyuku, Kobero, Ntaruka, Rabiro, Tangara, Wingoma.

• Zone Butihinda igizwe n'imitumba 7 : Bucamihigo, Butihinda, Maramvya, Munyinya, Ngara, Rukira, Rushombo.

• Zone Burambira igizwe n'imitumba 6 : Burambira, Burenza, Gikingo, Gisabazuba Migwa na Nyarushanga.

• Zone Buvumbi igizwe n'imitumba 6 : Buvumbi, Gahahe, Gitega, Masaka, Nyamihondi na Zaga.

• Zone Gashoho igizwe n'imitumba 10 : Bwisha, Gihonda, Gashoho, Gishambusha, Gitwa, Kagari Kinyami, Muruta, Muyange na Nkohwa.

• Zone Gisanze igizwe n'imitumba 4 : Bonero, Busasa, Gisebeyi, Muzingi na Rugerero.

• Zone Giteranyi igizwe n'imitumba9 : Bisiga, Gasenyi, Giteranyi, Karugunda, Nonwe, Rugese, Rukungere, Rumandari na Shoza.

• Zone Kamaramagambo igizwe n'imitumba 9 : Cagizo, Gatwenzi, Kamaramagambo, Kibande, Kinonora, Maruri, Mugongo, Murehe na Rwamfu.

• Zone Masaka igizwe n'imitumba 7 : Cagakori, Kayove, Kijumbura, Masaka, Ngomo, Nzove, Rukusha.

• Zone Mugano igizwe n'imitumba 7 : Kabogo, Mangoma, Mika, Mugano, Mukoni, Ndava, Rubenga.

• Zone Nyagatovu igizwe n'imitumba 7 : Bunyarukiga, Buvumbi Kobero, Murama, Musama, Gitaramuka, Nyagatovu.

• Zone Ruzo igizwe n'imitumba 7 : Bugoma, Kabira, Kagugo, Kidasha, Rusenyi, Ruzo na Vumasi.

• Zone Tura igizwe n'imitumba 8 : Buhangara, Gakoni, Kinanira, Kinyami, Mibakwe, Mihigo, Murama na Tura.

Yose hamwe ni imitumba 96 iri mu mazone 13 agize ikomine ya Butihinda.

3. Komine **Cankuzo,** umugwa mukuru wa Komine ni Cankuzo nyene. Igizwe n'amazone 4.

• Zone Cankuzo igizwe n'imitumba 15 : Cankuzo, Gatungurwe, Kabeza, Kabuga, Kavumu, Mugenda, Mugongo, Mugozi, Muhweza, Musenyi, Muterero, Muyaga, Nyabisindu, Nyakivumu, Nyamusenga.

•Zone Gitanga igizwe n'imitumba 8 : Gitanga, Kibungo, Kigaga, Mashiga, Nyamatongo, Rujungu, Saswe, Shinge.

• Zone Kigamba igizwe n'imitumba 9 : gatunguru, Gisenga, Humure, Kazibaziba, Kigamba, Kivumu, Nyarurambi, Rusagara, Rwamvura.

• Zone Minyare igizwe n'imitumba 5 : Karago, Murehe, Nyakerera, Nyarutiti na Rutoke.


Yose hamwe ni imitumba 37 igize amazone 5 ya Komine Cankuzo.

***Biracaza***

***Patiri Noël Ntirandekura***

# Ugupfira umubano biracashoboka mu Burundi

Foto : Chanel HARINAGNJI



Umwungera wa diyoseze Bururi Musenyeri Salvator NICITERETSE afadikanije n'igisata c'Abepiskopi kijejwe ubutungane n'amahoro ku rwego rw'igihugu hamwe n'ishirahamwe AGIAMONDO risanzwe ryunganira ico gisata mu bijanye n'integuro y'ibikorwa vyaco, yaratanze ikiganiro kubijanye no gusubiza hamwe n'ukurekuriranira kuko intibagira ntibana.

Ivyo bikaba vyabaye mu ntumbero yo guhimbaza imyaka 26 irangiye abana bo mw'iseminali y'i Buta bagandaguwe, hari ku wa 30 Ndamukiza 1997.

Yishimikije ijambo ry'Imana hamwe n'inyigisho y'Ekleziya, Musenyeri Salvator NICITERETSE yasavye ko abarundi bovugana ukuri kuvyabaye, kandi ukuri kutari igicuga, nyabuna ukuri k'umurava.

Yarerekanye kandi bimwe mu bituma abantu baryana haba mu ngo, mu kibano ndetse no mu gihugu. Na vyo ahanini ko biva:

- ku gukumirana,
- Kutubaha no kubahiriza ubuzima bw'umuntu n'agateka kiwe,
- Akarenganyo kabuza umuntu umwidegemvyo.

Uko gusubiza hamwe rero ntibakurondera aho i Buta gusa, kuko mu Burundi hari n'abandi barundi benshi bishwe bazira gukingira benewabo badasangiye ubwoko.

Ugusubiza hamwe rero kuronderwa mu gihugu cose kuko imigenderanire yatosekajwe na politike canke ivy'amoko, itegerezwa gusubira kubakwa, abarundi bagasubira kubana mu muvukano.

Iryo yubakwa ry'amahoro rihamagarirwa uwo ariwe wese yaba umuto canke uwukuze. Kandi ugusubiza hamwe gushoboka mu gihe uwakorewe inabi atagifise inzigo mu mutima wiwe, intango y'ugusubiza hamwe bihera muri wewe nyene.

Afatiye ku ntahe zatanzwe uwo musi, Musenyeri Salvator NICITERETSE aremeza ko gupfira umuvukano n'ubu bigishoboka kubera ukwemera hamwe n'ukubaha agateka ka mugenzawe.

Musenyeri Salvator NICITERETSE ahamagarira abakristu bose ukwemera gushitse mu mitima yabo kuko abo bose bakoze ayo mahano muri kahise, bari abakristu bazi Imana. Nihaba ukwemera gushitse mu bantu n'imiryano izoba mike.


Ico kiganiro giheze, haciye hatangwa intahe zitandukanye.

Igenekerezo rya 30 Ndamukiza 1997, abagizi ba nabi bamaze kwinjira mw'iseminari y'i Buta bakica abaseminari 39 hamwe n'umunyezamu umwe;

Patiri Leopordo MVUKIYE ico gihe yari umurezi. Avuga ko ku mugoroba w'uwo musi abo babisha babanje guturira antene yari iri ku musozi w'Inanzerwe.

Kubera ivyo bihe bitoroshe barimwo, abanyeshure bari bafise ubwo-

Foto : Chanel HARINAGNJI



ba bwinshi. Nta murezi yarafise uruhusha rwo kubwira ikintu abanyeshure kiretse kwinjira akigisha.

Patiri, umuyobozi, wenyene niwe yaciye agirisha inama ya bose ku mugoroba kugira abahumurize. Kandi uko vyari biri ico gihe, mu mashure atari make muri Bururi, abanyeshure baratanga abarezi bakicwa abarezi bagatanga abanyeshure bakiwa, bigaca bituma bagirira inzigo abaseminari b'i Buta kuko bo bari bafatanye mu nda abarezi n'abarerwa."

Henri NIZIGAMA nawenyene yari umurezi ico gihe. Avuga ati : "Uwo musi haba ibara, hari habaye umwiherero w'aba-

Foto : Chanel HARINAGNJI



nyeshure biga mu mwaka w'icumi na kabiri, umwiherero uheze, ngo baca baza bahindutse bavuga ko babonye Imana, mbere, imbere y'-uko batangura ivyigwa vy'uwo musi baranasaba umurezi ko botangurira ku gisabisho.

Niho ku mugoroba w'uwo musi hirirwa ubwoba bwinshi muri ako karere, kuko havugwa ko ababisha bamaze gushika mu karere k'umusozi wa Inanzerwe, aho naho hakaba hari hafi yaho.

*Biracaza*

**Chanel HARINGANJI**

# Ikiganiro c'abavugizi b'inzego za Reta ku bamenyesha-makuru n'abenegihugu mu ntara ya Cibitoke

ko ari ukwamizako. Kandi ko mw'ishirwa mu ngiro ry'iyo ntumbero, uraba ibimenyetso : ukaraba ko abantu bafungura, ko abana baja kw'ishure, ukaraba ko abantu bivuza, ko ibintu vya nkenerwa vyose babironka. Ati rero Reta yarafashe imigambi myiza yotuma abantu batera imbere.

Umugambi wa mbere ukaba uhagaze ku kugwiza umwimbu, ari na co gituma Umukuru w'igihugu yama ahimiriza abantu kugwiza umwimbu kugira ngo ubuzima bwabo bwisununure. Yagiriye ko amenyesha ko hariho intambamyi zihagaze kw'ihindagurika ry'ibihe: imvura ikaba nyinshi canke izuka rikaka cane bikonona imirima; ibikoko birya umwimbu, intambamyi z'ingwara n'ibindi n'ibindi uwateguye umugambi ataba yategekanije.

• Ku kibazo cerekeye gukuraho ubusumbasumbane canke kuboho-ra amapete mu bakozi ba Reta, umuvugizi w'ubushikiranganji bw'abakozi ba Reta n'akazi yamenyesheje ko kuva ahu Umukuru w'igihugu abivumereye, inzego zibijejwe zaciye zija ku kivi ko ibimaze gukorwa ari vyinshi nk'itegeko rigenga abakozi ba Reta riheruka gushirwako igikumu mu kwezi kwa Ruhuhuma.

Ico abarundi botahura n'uko ingingo nk'izo zisaba ibindi bikorwa mperekeza kugira ngo zishobore kuja mu ngiro, amategeko asubirwamwo be n'ingingo mperekeza, hamwe n'ukurondera uburyo kugira izo ngingo zose zishirwe mu ngiro. "Izo ntambwe zose zigeze ahashimishije, a-bakozi borema".

• Ikibazo c'abanyororo bataronka ibifungurwa bikwiye, Anne Marie Nkeshimana avugira Ubushikiranganji bw'ubutungane, amenyesha ko abavuga ko abanyororo bashobora kuba bataronka ibifungurwa bikwiye, ari ikinyoma kuko ibifungurwa vy'abanyororo bitegurwa nk'uko amafaranga yose ategurwa mu ntango z'umwaka. Mu gihe rero baharuye abanyororo bahari mu ntango z'umwaka, birashika abagirizwa ivyaha canke inkozi z'ikibi zikagwira.

Zigenda gufungwa zisanga hari ibifungurwa vyateguwe bagaca basabikanya ivyo biba bihari. Aributsa kandi ko hari akigoro ubushikiranganji bw'ubutungane bariko buragira ko kugabanya abagirizwa ivyaha bitobito mu ntumbero yata-nzwe n'Umukuru w'igihugu, abanyororo bariko baragabanuka bisigura y'uko ibifungurwa bihari bashobora kubifungura nk'uko babitegekanirijwebikabakwira.

• Mbega umukuru w'igihugu yahemukiye igihugu, umukuru w'inama nshingamateka, umukuru w'inama nkenguzamateka, icegera c'umukuru w'igihugu n' umushikiranganji wa mbere, igihe bakoze ivyaha bakiri mu mabanga, bacigwa urubanza n'iyihe sentare?

Bangiricenge Agnès, Umuvugizi wa Sentare ntahinyuzwa yamenyesheje ko ingingo 239 y'ibwirizwa Shingiro ry'-Uburundi ariyo itegekanya Isentare ibacira imanza. " Sentare Nkuru y'Ubutungane igizwe na Sentare yubahiriza ibwirizwa shingiro zikoranye. Iyo ishashe, Umukuru w'intahe ni Umukuru wa Sentare ntahinyuzwa. Muri iyo sentare, Umushikirizamanza Kizigenza wa Repuburika ni we aserukira Urwego rw'Ubushikirizamanza.

• Ku kibazo c'amatongo ari ahazokwubakwa Ingoro y'amakoraniro y'-inama Nkenguzamateka hamwe n'amatongo azotwarwa na leta mu kwagura ikibanza c'aho Umukuru w'igihugu akorera "kwa Ntare house", Clement Ndikumasabo, umuvugizi w'ubushikiranganji bw'ibidukikije, uburimyi n'ubworozi, abafise amatongo yafashwe na Reta Nyabututsi, ni ikibazo reta yafashe mu minwe kandi iriko irakurikirana kugira ngo ntihagire umwenegihugu arenganywa nyabuna atunganirizwe hisunzwe amategeko.

Igice ca nyuma c'ico kiganiro cari cerekeye i-bibazo vy'abenegihugu baba abari bishikiye kuri ico kibuga canke abahamagara n'umurongo wa terefone. Ivyo bibazo vyari bishimikiye ku kwidogera cane cane ubutungane ko butabatunganiriza bikwiye, ko imanza zihindukirizwa mu masentare canke zigacibwa ariko ntizishirwe mu ngiro, ko hari abari hejuru y'amategeko bagaca barenganya abaje babitura.

Nk'uyo Nyandwi Gervais avuga ko yanyazwe ikawa na Sociyete BUCAFE, amafaranaga arenga amadolari 560. Ni navyo vyamuviriyemwo ubumuga kuko ata sentare n'imwe atituye aburanya iyo sosiyete kandi akayitsinda, ariko ibanki yari yaguranye ayo mafaranga ikaba igira ngo imunyage vyose kubera ko atarayishura.

Hari kandi n'abandi batsinze imanza baburagizwa mu kuguma bahabwa amasango yo kuja kwishuza utwabo.

Tubamenyeshe ko ico kiganiro cabereye mu ntara ya Cibitoke, mu gihe imwe mu makomine ayigize, komine Mabayi iheruka guhura n'ivyago, aho umusozi wahitanye abantu ukabafurira. Hakaba kandi n'udukoko twateye imirima tugakokora amababi y'ibiterwa vy'imyumbati.

*Patiri Noël Ntirandekura*

# Uburenganzira bw'abakozi bwo gukora akazi mu buryo bubereye

Umuntu wese arafise uburenganzira bwo gukora akazi mu buryo bubereye kandi butegekanijwe n'amategeko.

Ugukora akazi mu buryo bubereye vyashitsweko bivuye ku bakozi baharaniye agateka kabo ko gusaba ko amasaha y'akazi yogabanywa gushika ku masaha umunani kugira ngo abakozi baronke akanya ko kuruhuka n'ukuraba imiryango yabo.

*Ubu buryo bubereye ku mukozi bugategekanya :*

* Uguhemberwa ico umukozi yakoze nk'uko birekuriwe abakozi bo-se,

* Ukubahirizwa n'amategeko mu kazi,

* Akongera agakingirwa impanuka mu vy'akazi ;

* Bategerezwa kugira amasaha ategekanijwe y'akazi,

* Bategerezwa kugira igihe c'akaruhuko, bakinezereza,

* Igihe c'akazi kigatunganywa co kimwe n'imisi y'akaruhuko bahemberwa canke imisi mikuru badakora yamara bakayihemberwa.

Igenekerezo rya mbere rusama uko umwaka utashe, amakungu arahimbaza umusi mpuzamakungu wahariwe abakozi n'akazi kandi n'Igihugu cacu ntigisigara inyuma mu guhimbaza uwo musi.

Uwo munsi utanga akaryo ko kurimbura ingene uburenganzira bw'abakozi bwubahirijwe mu kiringo c'umwaka.

Uburenganzira bw'abakozi bwo gukora akazi mu buryo bubereye butegekanijwe n'amategeko mpuzamakungu hamwe n'amategeko y'i-gihugu.

**1. Ingene amategeko mpuzamakungu ate-gekanya ubwo burenganzira**

Uburenganzira bw'abakozi bwo gukora akazi mu buryo bubereye butegekanijwe n'amategeko mpuzamakungu atandukanye :

* Itangazo mpuzamakungu ry'agateka ka zina muntu,

* Amasezerano mpuzamakungu mu vyerekeye amatungo, imibano n'imico kama,

* Amasezerano mpuzamakungu y'akazi (OIT, inomero 1) mu vyerekeye ikiringo c'akazi mu mahinguriro,

* Hamwe n'amasezerano ya Afrika yerekeye agateka ka zina muntu n'ak'abenegihugu.

a) Mw'itangazo mpuzamakungu ry'agateka ka zina muntu

Umukozi ategerezwa gukora akazi mu buryo buzira akarenganyo. Ibi bitegekanijwe n'ingingo ya 23 ivuga ko "umuntu wese afise uburenganzira bwo kuronka akazi, gukora akazi ashatse we nyene, gukora mu buryo buzira akarenganyo kandi nyabwo".

Iyi ngingo ibandanya ivuga mu gace ka 3 ko "umukozi wese ategerezwa kuronka agahembo nyako kandi gakwiranye n'imirimo arangura kugira we n'abiwe bashobore kubaho neza".

Umukozi ararekuriwe kuruhuka nk'uko bitegekanya mu ngingo ya 24, aho ivuga ko "umuntu wese akeneye kuruhuka, ntakore ikiringo c'umurengera, akama aronka akaruhuko buri mwaka kandi akaguma ahembwa".

b) Mu masezerano mpuzamakungu mu vyerekeye amatungo, imibano n'imico kama

Aya masezerano arategekanya ko umukozi ategekanirizwa kazoza kandi agafashwa agize impanuka canke ageze mu za bukuru.

Ivyo tubisanga mu ngingo ya 9 ivuga ko "ibihugu vyegwa n'aya masezerano bitegekanya ko u-mukozi ategekanirizwa kazoza hatibagiwe n'ugutegekanya ibizomufasha agize impanuka y'akazi canke ageze mu za bukuru".

c) Mu masezerano mpuzamakungu y'akazi (OIT, inomero 1) mu vyerekeye ikiringo c'akazi mu mahinguriro. Amasezerano mpuzama-kungu y'akazi arerekana ko ikiringo c'amasaha umunani ku musi ari co gitegekanywa no mu mahinguriro. Tubisanga mu ngingo ya 2 ivuga ko "mu mashirahamwe ajejwe ivy'amahinguriro ya Reta canke y'abigenga, amasaha y'akazi ategekanijwe ntashobora kurenga amasaha umunani ku musi n'amasaha mirongo ine n'umunani mu ndwi".

d) Mu masezerano ya Afrika yerekeye agateka ka zina muntu n'ak'abenegihugu

"Umuntu wese arafise uburenganzira bwo gukora mu buryo bubereye kandi akaronka agahembo gakwiranye n'igikorwa ciwe" nk'uko ingingo ya 15 yaya masezerano ibivuga.

Ingene amategeko y'Uburundi ategekanya ubwo burenganzira

Mu mategeko y'igihugu, tuja kwisunga ibiri mw'-Ibwirizwa Shingiro, ibiri mw'ibwirizwa n°1/11 ryo ku wa 24 munyonyo 2020 risubiramwo igitabu c'amategeko agenga akazi mu Burundi, ibiri mw'ibwirizwa n°1/03 ryo ku wa 08 ruhuhuma 2023 rigenga abakozi ba Reta hamwe n'ibiri mw'ibwirizwa n°1/12 ryo ku wa 12 rusama 2020 ryerekeye gukingira n'ugutegekaniriza kazoza abenegihugu mu Burundi.

Ibikur. urup. 11

# Uburenganzira bw'abakozi bwo gukora akazi mu buryo bubereye

*(Bitangurira ku rup.10)*

a) Mw'Ibwirizwa Shingiro

Ingingo ya 19 irinjiza mu mategeko n'amabwirizwa bigenga Uburundi amasezerano mpuzamakungu yerekeye agateka ka zina muntu bwashizeko umukono.

Umuntu wese arafise uburenganzira bwo kuronka akazi. Ibi tubisanga mu ngingo ya 54 ivuga ko "Reta yemera ko abenegihugu bose bafise uburenganzira bwo kuronka akazi igakora uko ishoboye kwose kugira ishireho ibikenewe bituma ubwo burenganzira bushobora kuja mu ngiro.

Irubahiriza ko umukozi wese aronka impembo ikwiranye n'akazi akora canke umwimbu wiwe kandi akabaho mu buryo bwiza kandi bushimishije".

Muri iyi ngingo ni ugutahura ko umuntu ashobora kuronka akazi akihaye we nyene mu ntumbero yo kwiteza imbere, canke agahawe n'uwundi.

Umukozi wese ategerezwa kuronka impembo ingana n'uwo bakora akazi kamwe kandi babishoboye kumwe.

Ibi bitegekanywa n'ingingo ya 57 ivuga ko "abantu bose bategerezwa kuronka impembo ingana iyo bakora akazi kamwe kandi babishoboye kumwe".

b) Mw'ibwirizwa n°1/11 ryo ku wa 24 munyonyo 2020 risubiramwo igitabu c'amategeko agenga akazi mu Burundi

Igitabu c'amategeko agenga akazi mu Burundi nk'uko casubiwemwo n'iryo bwirizwa, kirerekana ko abakozi bakora akazi kamwe bategerezwa kuronka impembo ingana. Ibi tubisanga mu ngingo y'184 ivuga ko "abakozi bakora akazi kamwe kandi babishoboye kumwe bategerezwa kuronka impembo ingana ata gucagura".

Iki gitabu c'amategeko agenga akazi kiratomora kandi ko ikiringo c'amasaha y'akazi ari amasaha umunani ku musi.

Ibi bitegekanywa n'ingingo ya 245 ivuga ko "amasaha y'akazi ategekanijwe ku musi ari amasaha umunani n'amasaha mirongo ine n'atanu ku ndwi".

c) Mw'ibwirizwa n°1/03 ryo ku wa 08 ruhuhuma 2023 rigenga abakozi ba Reta

Mu vyerekana ko akazi gakorwa mu buryo bubereye, harimwo ko umukozi aronswa akaruhuko.

Ibi bitegekanywa n'ingingo ya 49 aho ivuga ko "umukozi wese afise uburenganzira bwo kuronswa akaruhuko kangana n'imisi mirongo ibiri n'itanu ku mwaka ashobora gufatira rimwe canke kenshi mu biringo bitandukanye bivanye n'ingene avyumvikanye n'umukoresha wiwe. Umukozi ategerezwa kuba yafashe akaruhuko kiwe imbere y'igenekerezo rya 30 ruheshi.

Iyo umukozi ataronkejwe akaruhuko kiwe gategekanijwe mu mwaka, ashobora kukaronswa mu mwaka ukurikira ariko ntarenze mu kwezi kw'icumi na kabiri ataragasaba".

Umukozi ararekuriwe kandi kuronka akaruhuko mu gihe yashikiwe n'ivyiza canke ivyago mu muryango wiwe.

Ibi navyo tubisanga mu ngingo ya 52 ivuga ko "umukozi aronswa akaruhuko iyo yashikiwe n'ivyiza canke ivyago mu muryango wiwe.

Aha twovuga nk'igihe yubatse urwiwe, yibarutse, yabuze uwo bubakanye, abavyeyi biwe, n'abandi nk'uko amategeko abitunganya. Ako karuhuko gategerezwa gutangwa muri ico gihe nyene umukozi yashikiwe n'ibibi canke n'ivyiza. Nta mukozi ashobora kubuzwa ako karuhuko.

Igihe umukozi ashikiwe n'ivyiza canke ibibi yari asanzwe ari mu karuhuko, ako karuhuko ka mbere gaca gahagarara kakazosubira kubandanya ako kandi karangiye".

Ingingo ya 54 na yo itegekanya ko "akaruhuko k'umukozi yashikiwe n'ivyiza canke ivyago mu muryango wiwe gaharurwa hagati y'imisi itatu n'itanu bivanye n'ikintu cashikiye umukozi".

d) Mw'ibwirizwa n°1/12 ryo ku wa 12 rusama 2020 ryerekeye gukingira n'ugutegekaniriza kazoza abenegihugu mu Burundi

Ntitwokwibagira ko, mu vyerekana ko akazi gakorwa mu buryo buberye umukozi afise uburenganzira bwo gutegekanirizwa akazoza.

Biri mu ngingo ya 22 ivuga ko "umukozi aritegekanirizwa ko azovuzwa arwaye n'abagize umuryango wiwe canke igihe yibarutse, igihe yoshikirwa n'impanuka y'akazi, canke igihe afashwe n'indwara yandurutse ku kazi akora, igihe azoba ageze gukukuruka, igihe atazoba agishobora gukora akazi bivuye ku bumuga, n'igihe yitavye Imana atari bwagere gukukuruka…".

Mu gusozera, twagira twibukanye ko umukozi wese afise uburenganzira bwo gukora akazi mu buryo bubereye. Ararekuriwe kuronka impembo ingana n'uwo bakora akazi kamwe kandi babishoboye kumwe, agakora amasaha y'akazi ategekanijwe ku musi, akaronka umwanya wo kuruhuka, akavuzwa arwaye, agakingirwa impanuka kandi akanashumbushwa igihe yagize impanuka y'akazi, kandi agategekanirizwa akazoza.

***Ikigo ca leta kijejwe guteza imbere agateka ka zina muntu no gukinga ihonyabwoko «CPDHPG »***

# Urugendo rwa Papa Fransisiko mu gihugu ca Hongriya.



Ku wa 28 gushika ku wa 30 Ndamukiza 2023 Nyenubweranda Papa Fransisiko yaragendeye igihugu ca Hongriya.

Urwo rugendo rugira 41 kuva abaye umusubirizi wa Petero mweranda rufise icivugo ngo : « Kristu niwe kazoza kacu.» Muri urwo rugendo Papa Fransisiko yasize imbere uguha umubonano abakene n'impunzi, uwo mubonano ukaba wabereye mw'isengero yitiriwe Elisabeth riri ku murwa mukuru wa Hongriya.

Yashitse ku kibuga c'indege i Budapest igihe c'isaha zine zo mu gatondo aho yakiriwe mu cubahiro ciwe. Yaciye aja ku kirimba c'umukuru w'igihugu. Inyuma yaho yarahaye umubonano umukuru w'igihugu Katalin Novák, yongera abonana n'umushikiranganji wa mbere Viktor Orbán.

Igihe c'isaha zitanu n'iminota 20, Papa yabonanye n'abajejwe intwaro nkuko yama abigira aho agiye hose, abaserukira amashirahamwe ategamiye Reta hamwe n'abaserukira ibihugu vyabo muri Hongriya. Uwo mubonano ukaba wabereye ahahora hari inzu y'ababikira baba Karumerite biyugaranye.

Igihe c'isaha cumi n'imwe z'umugoroba, yahaye umubonano abepisikopi, abasaseredoti, abadiyakoni, abihebeyimana, abaseminari n'abandi barangurira ubutumwa muri iyo Ekleziya. Uwo mubonano wabereye mw'isengero nkuru yitiriwe umweranda Stefano.

Ku munsi wa Gatandatu igenekerezo rya 29 Ndamukiza, Papa yatanguye ubutumwa bw'uyo munsi igihe c'isaha zibiri n'iminota 45.Aho yagendeye abana bagendana ubumuga bwo kutabona bari mu kigo citiriwe umuhimbazwa László Batthyány-Strattman. Inyuma yaho yaciye aja kubonana n'aboro hamwe n'impunzi mw'isengero ryitiriwe Elisabeth.

Igihugu ca Hongriya kirafise igice gihana urubibe na Ukraine. Impunzi zababa 34000 zaje ziva muri Ukraine nizo zasavye ubuhungiro muri ico gihugu. Igihugu ca Hongriya kikaba carabakiriye kandi kirabakingira. Inyuma y'umutaga, igihe c'isaha cumi n'inusu, yabonaye n'urwaruka. Igihe c'isaha cumu na zibiri abonana n'aba Jesuite ku kirimba c'uwuserukira Papa muri ico gihugu.

Ku munsi w'Imana, ku wa 30 Ndamukiza, ku kibanza citiriwe Kossuth Lajos, Papa niho yehereje inkuka ya misa igihe c'isaha zitatu n'igice. Mu nyigisho y'ijambo ry'Imana, Papa yashimikiye ku mugenzo mwiza wo kwakira. Abahamagarira kugurura imiryango.

Kuba urugi rw'uguruye nka Yezu Kristu aho umuntu wese yinjira mu rugo rwa Mana Data kugira yinovore urukundo kigongwe rwa Data, uwabatijwe wese ahamagariwe kuja kumenyesha. Ata numwe avuyemwo, twese duhamagariwe kutihambirira mu buzima bworoshe, ariko tukabuvamwo tugahamvya benewacu bari mu buzima butoroshe, bipfuza kubona umuco w'inkuru nziza.

Yahamagariye abo muri Hongriya kugurura imiryango, kuko ukugara imiryango bimenyesha ukwigungirako, kuba nyamwigendako n'ukuta-babara abagowe nabishwe n'intuntu.

Yarabahamagariye kandi gutsimbataza umutima kivukanyi, kubagarira imigenderanire myiza, bakirinda ico cose cotuma bagira amacakubiri mu mpande zose. Bakirinda kwiyumvira ko igihugu cabo hari abakigenewe n'abatakigenewe. Yerekeje amaso ku balayiki, abamenyeshamana, abakuru mu ntwaro n'abandi bose ati:« Ni mube imiryango yuguruye.»

Abepisikopi n'abasaseredoti yabibukije ko umwungere ategerezwa kugurura umuryango, ati umwungere mwiza si uwuvyaza umusaruro igikorwa ajejwe, ntahonyanga ubusho ajejwe, ntatwaza agahotoro intama ajejwe.

Umwungere mwiza ni uwo agabiye guheba ubuzima bwiwe nkuko Yezu yavyigishije mu kinyegezwa c'umusalaba. Yaheraheje iyo nyigisho mu gusaba Bikira Mariya mwamikazi w'amahoro ngo ahunde amahoro mu mitima yaba Hongriya kuva ku mukuru gushika ku muto.

Imbere yuko aganuka, yarahaye umubonano abanyeshule biga muri Kaminuza y'Ekleziya i Budapest.

Tubibutse ko ico gihugu akigendeye ubugira kabiri inyuma yaho yakigendeye ku wa 12 Nyakanga 2021 agiye guheraheza ihwaniro mpuzamakungu ry'Ukaristiya rigira irya 52. N'umweranda Yohani Pawulo wa kabiri, yagendeye ico gihugu incuro zibiri ; mu mwaka wi 1991 na 1996.

***MSV M. Goreth Ndikumana***